Association Membre de IPPF International Planned Parenthood Federation Région Afrique

N/Réf : ABUBEF/811/2022

Igenekerezo rya 30/11/2022

ITANGAZO

Mu ntumbero yo guhimbaza umusi mpuzamakungu wahariwe kugwanya Sida, Ishirahamwe ryishinze guteza imbere ineza y'ingo n'imiryango, ABUBEF, ryategekanije isekeza ryo **gupima ku buntu** ibimenyetso mburizi vya kansere yo mu rwinjiriro rw'igitereko. Abagendana umugera wa Sida bakaba babangamirwa n'iyo kansere kurusha abandi.

Iryo sekeza rizobera ku bigo vya ABUBEF vyose uko ari indwi : mu gisagara ca Bujumbura ni kw'Ijabe no mu Buyenzi, hagati mu gihugu ni mu Rumonge, Ngozi, Kirundo, Muyinga na Gitega.

Iryo sekeza rizomara imisi itatu rikazotangura kw'igenekerezo rya 06/12/2022 risozerwe kw'igenekerezo rya 08/12/2022, kuva isaha imwe n'igice (7h30) gushika isaha icenda n'igice (15h30) buri musi.

Ukaba uri umwigeme canke umukenyezi ufise hagati y'imyaka 30 na 50 , urahawe ikaze. Ufise ico ubaza, hamagara kuri 22232936.

Tubibutse ko hambavu y'iryo sekeza, ibikorwa vyo gupima abakenyezi n'abigeme iyo kansere bisanzwe bikorwa imisi yose y'akazi mu bigo vya ABUBEF ku mafranga 5000f.

Kaze, kaze, kaze mwipimishe kansere yo mu rwinjiriro rw'igitereko hakiri kare kubw'ineza y'amagara yanyu!!!

Dr Donavine UWIMANA

Umuyobozi Nshingwabikorwa wa ABUBEF

ASSOCIATION BURUNDAISE POUR LE BIEN ETRE FAMILIAL (ABUBEF) TEL:22 23 29 36 / 22233435 B.P. 5232 BUJUMBURA

B.P. 5232 Bujumbura – Tél. 22 23 29 36 – 76 713 955 – Fax 22 23 34 35 – E-mail : abubef@abubef.org,abubef@gmail.com
Site web : www.abubef.org